Ibirori vyo kwigina Isabukuru ry'Imicokama y'Abarundi

Ishirahamwe ry'Umuryango w'Abarundi muri Queensland (ABCQ InC) rirabatumiye n'incuti zanyu hamwe n'abagenzi mu musi mukuru wo guhimbaza Isabukuru ry'imico n'akaranga vy'Abarundi. Isabukuru rizorangwa n'invyino,'intambo z'imico itandukanye, umudiho w'ingoma hamwe n'infungurwa kavukire.

Igenerezo: 16 Ruheshi 2018

Ikibanza: Gould Adams Park Aquatic Centre
558 Kingston Rd, Kingston QLD 4131

Isaha: Umunani z'umutaga gushika isaha cumi na zibiri z'umuhingamo (2:00-6:00pm)

Rino Sabukuru ryafashwe mugongo n'igisata ca reta kijejwe ubuhungiro hamwe n'ubwenegihugu. Intumbero ya rino sabukuru akaba ari ugukomeza imigenderanire myiza dusanzwe dufitaniye n'abandi banyagihugu tubana ngaha bava mu bihugu bitandukanye tubicishije mukwigishanya imico n'akaranga. Bikazotuma tubana mu mahoro no mu mwumvikano ntangere.

Umwe wese asabwe kuzokora no gufasha muvyo ashoboye, kandi dusavye abafise ivyo bifuza kwerekana bijanye n' imico kama yacu y'Ikirundi ko botumenyesha hakiri kare.

Mbaye ndabashimira ku mwete muzogira mu kwitaba aka kamo no gutumira abandi bakaza kuratira ijisho ibigize imico kama yacu.

Umukuru w' ishirahamwe ry' umuryango w' Abarundi muri QLD

Innocent Nsengiyumva

Innocent Nsengiyumva

ABCQ Inc President

E: abcq.queensland@yahoo.com | M: 0402727642
A: 20 Lyrebird Street, Loganlea Q 4131| W: abcq.org.au